**URUGO RUKRISTU NI RUMENYESHE INKURU NZIZA YA YEZU KRISTU**
***Inyigisho y'Umwepiskopi yo kwitegurira umusi mukuru wa Pasika 2023***

## 0. INDAMUTSO N'INTANGAMARARA

Ndabaramukije mwese *bakunzi b'Imana*, *ni mugire umugisha n'amahoro bikomoka kuri Dawe wa twese no ku Mukama wacu Yezu Kristu*.

Ndabahaye ikaze muri iki kiganiro umuryango wabateguriye muri iki gihe c'ikarema. Nkuko umugenzo mwiza w'Ekleziya ubitegekanya muri ico gihe twama tumara imisi mirongo ine twibuka duhimbaza ikinyegezwa ceranda rwose c'aho Yezu Kristu Umukama wacu yababara, akabambwa ku musalaba ku bwacu, akadupfira kugirango adukize. Iyo misi tuyimara turushirizaho tuzirikana kandi dukenguruka urukundo rutagira ingero Imana yadusesekarije. Ni igihe rero co gusenga ugusumbirije , kwisonzesha ngo ducuvye ingeso mbi zacu kandi twongere turonke nivyo dusabikaniriza ko abandi na cane cane aboro kuko uhaye umworo ngo aba aguranye Imana.

Ngireko ndabibutse ko Ekleziya yo mu Burundi iri mu mwaka wo guhimbaza Yubire y'imyaka 125 imaze itanguye. Inama y'Abepiskopi ikaba yarashikirije abakristu bose ijambo shimikiro bozirikana mu kuwuhimbaza. Mu gihe c'ubushikiro twazirikanye ko ingo zakiriye Inkuru nziza zaciye ziba "*Ekleziya yo ku ziko*". Uyu musi naho twabatumyeko kugira ngo dusimbize iryo jambo twatanguye tuzirikane ko izo ngo z'abakristu zimaze kuba "*Ekleziya yo ku ziko*" kubw'Inkuru nziza zamenyeshejwe, zohindukira nazo zikayimenyesha abandi kandi zihereye mu rugo rwo yogi rya mbere ryo kumenyesha Kristu

Tubanze rero twitegereze uruhara izo ngo z'abakristu zagize mu gikorwa co kumenyesha Inkuru nziza mu gihugu cacu muri iyo myaka 125 Ekleziya imaze itanguye.

## I. URUHARA INGO Z'ABAKRISTU ZAGIZE MU GIKORWA CO KUMENYESHA INKURU NZIZA MU BURUNDI

Mu myaka ya mbere Ekleziya igitangura kw'isi, ingo zabaye izambere mu kwakira Inkuru nziza ya Yezu Kristu, zarabaye koko "*Ekleziya yo ku ziko*". Ivyo vyarabonekera ku mwete zari zifise mu vyo kwumviriza inyigisho z'abatumwa, mu gushira hamwe n'ugufashanya (Raba Ibikorwa vy'Abatumwa 4, 36-37), mu guhurumbira amakoraniro yo kumanyura umukate n'ay'ugusenga (Raba Ibikorwa vy'Abatumwa 2, 42-47). Zimwe muri izo ngo zaritanze ziraherezako mu butumwa bwo kumenyesha Inkuru nziza ya Yezu Kristu, zirayishingira intahe, ziranayigura gushika naho muri zo habayemwo abamaratiri basheshe amaraso yabo bazira ukwemera.

Hano iwacu naho, Ekleziya igitangura mu mpera z'ikinjana ca cumi n'icenda, mu ngo zari zabaye iza mbere mu kubatizwa harimwo izagize uruhara ruboneka mu kumenyesha Inkuru nziza ya Yezu Kristu: nko mu gutora abigishwa bashasha, mu guhanura ababatijwe bahunye, mu kwitaba amasango yo gusenga n'ay'ibindi bikorwa vy'umuryango w'abakristu, mu guha indaro abakristu n'abakatekumeni baje bava kure bagiye kwitegurira n'uguhabwa amasakramentu ku misiyoni. Muri izo ngo nyene harimwo izitatevye

kubonekamwo abajenama mu nyuma inshingwamuryango , abamenyeshamana, abanyamihari, abamisiyonari, abihebey'Imana, abasaserdoti n'abepiskopi bose b'imvukira, nizo zareze abakristu balayike b'imboneza mu bukristu no mu butumwa bw'Ekleziya.

Ico gihe kandi,Ekleziya igitangura mu gihugu cacu, ingo z'abakristu zaritanga mu bikorwa vyo kwunganira abamisiyonari kumenyesha Inkuru nziza; nko mu gufasha gutegura ingendo zo kuja ku mashure y'itabariro, bakabatwaza imizigo, bakabagemurira bakabegeraniriza ibizokenerwa mu gihe bazomarayo iminsi: nk'inkwi, amazi, n'ibindi. Izo ngo nyene zaritabana umwete ibikorwa vyo kwubaka amasengero, amashure n'insago z'abamisiyonari.

Ikindi ciza caboneka nuko mu ngo zatanguye kubatizwa hariho izaciye zunga ubumwe bushasha buvutse kubw'ibatisimu bwabonekera mu kugenderanira, kuramukanya, gufashanya n'ugutabarana.

Mu ngo zakirije yompi Inkuru nziza ya Yezu Kristu mu myaka yambere, hari izabayemwo abamenyeshamana b'abamisiyonari. Izo ngo zaritanze mu kuja kumenyesha Inkuru nziza mu ntara za kure, zivuye mu ma misiyoni yari yatanguye kera nka za Muyaga, Mugera, Buhonga, Kibumbu, Makebuko, n'ahandi. Gushika n'ubu Ekleziya y'Uburundi iracakesha vyinshi izo ngo z'abo bamenyeshamana zahevye amavukiro n'imiryango, zikagenda kwunganira abamisiyonari b'abanyamahanga kugira ngo Inkuru nziza ya Yezu Kristu ikwire hose mu gihugu cacu.

Ibikorwa vyiza benivyo n'ubu biracabandanya birangurwa mu ngo z'abakristu zamaze kuba « *Ekleziya yo ku ziko* ». Twovuga nk'ingo zimenyesha Inkuru nziza mu gusabira no mu guterera Ekleziya yo kw'isi yose, mu gutanga imperezwa, intererano n'ayandi mashikanwa, mu kurungika abana bakiri bato mu mihari no mu migwi y'ubutumwa, (mu mikangara y'Imana, mu bakorezi, mu batambiramana, mu baririmvyi n'ibindi). Ingo zija imbere mu gutunganya amanama n'ibikorwa vy'imibano rukristu mu kwunganira abasaserdoti mu butumwa, ingo zishira hamwe zigafashanya zigatabarana, zigafasha aboro n'abari mu vyago, n'ingo zibiba mu bana bazo agatima ko kwihebera Imana.

Izindi ngo twovuga zifise uruhara mu kumenyesha Inkuru Nziza ni iz'abakristu zikora ubutumwa bwo kugendera izindi ngo zijanywe n'ukwunga ubumwe bushingiye kuri Kristu n'ukuremeshanya nka Kana na AGI, zigasangira igisabisho, zigasoma Ijambo ry'Imana zikibukanya amabanga y'urugo rw'abakristu. Hariho ingo z'abakristu zifasha urwaruka gukura rwitayeho ubutumwa bwo gukwiza hose Inkuru nziza ya Yezu Kristu nko mu *mikangara y'Imana*.

Hariho ingo z'abakristu zisangira ubutumwa n'ama paruwasi mu gushigikira imigambi yayo nko mu nyubako, mu gutanga ibibanza mbere no mu gushigikira amaparuwasi mu mburano no mu masezerano agiriranira n'abandi.

Mu bihe vy'intambara twaciyemwo hariho ingo z'abakristu zashingiye intahe ukwemera. Ingo zitagize uruhara mu bwicanyi bwabaye no mu yandi mabi yabaye yo gutuza abandi, yo gusahura, gutoteza, gukokeza n'ukwihora zikaguma zibana neza n'ababanyi badasangiye ubwoko canke imigambwe. Ahubwo hari izatabaye abariko bararonderwa, zabahaye indaro, zirabakingira kandi ziraremesha izindi ngo zari zahuye n'ivyago. Hariho rero n'ingo zarengeye ivyabaye zirarekuriranira zirasubiza hamwe. Izo ngo zaramenyesheje Inkuru nziza kubw'iyo ntahe y'umuvukano, kwubahiriza ubuzima no kurekuriranira.

Twovuga rero duti : « Urugo rumota ubuntu n'ubukristu rwabaye inkingi y'ukubana neza kw'abantu, ruba n'iyogi rivamwo abapfasoni, abashingantahe b'iteka n'ibanga » (*Raba indinganizo n'amategeko ngenderwako bigenga ingo n'imiryango mu madiyoseze gatolika yo mu Burundi urupap.2*).Nico gituma

urugo-muryango ari ishingiro ry'ubutumwa bwacu kugira ngo murirwo harangwe imico myiza, hakomere ukwemera, ukwizigira, urukundo, ubutungane, ukurekuriranira n'ukubabarana.
Izo ngo zose tuvuze rero ziratera iteka akaranga kazo ko kuba « *Ekleziya yo ku ziko* » imenyesha Inkuru nziza ya Kristu, Umukiza w'isi n'ijuru.

**Yamara rero,**
Hariho n'izindi ngo zubatswe n'ababatijwe zidohoka kw'ibanga zasezeranye n'Imana. Ibanga ry'ugukundana n'ukuba umubiri umwe, ry'ugufashanya n'ukugumirizanya ibanga zikama mu nduru n'uruhagarara bivuye ku bukunzi bw'inda, ukwigungirako n'ugusesagura amatunga y'umuryango, akaborerwe, ukwiganza, ukurenga ibigo n'ayandi mabi.

Hariho n'ingo ziyugarirako nka ka nyabumba, zitagenderanira n'ababanyi, zidatabara, zidafashanya, zitamenyesha imanza ababanyi, zidaterera, zidatanga n'umucanwa!
Hariho n'izindi nazo zamiza ababanyi mu ruhagarara kubera ivyo amatongo, ugukwiza insaku, uguteranya imiryango, ukwararaza, ukuremeka inteba ishushe abandi, ugushigikira ibikorwa bibi n'imico mibi, ugukingira ikibaba inkozi z'ikibi n'ibindi.

Hariho n'ingo zititwararika ubutumwa bw'ukumenyesha Inkuru nziza, zidasabira Ekleziya n'indongozi zayo, zikigira sindabibazwa zikama zikumira mu bikorwa vy'umuryango no mu zindi ntererano, zidatanga neza imperezwa n'amashikanwa, canke naho zikitaba ka burorerezi zikurayo. Hariho mbere n'ingo ziburabuza ubutumwa bw'Ekleziya mu kwamiza amaparuwasi mu mburano zitagira shinge na rugero, n'izindi zihorera canke zigashira agati mu ryinyo zikanka kuvuga ukuri zikuzi.

Hariho ingo aho kureresha abana imico myiza yo kumenyesha Inkuru nziza n'ugukunda n'ugushigikira Ekleziya nk'umuryango barimwo, zishinga ahubwo kubabera akarorero kabi n'intambamyi mu bukristu bwabo, rimwe na rimwe mbere bakababibamwo imbuto y'urwanko, y'inzigo n'amacakubiri y'ubwoko, imigambwe canke intara. Ben'izo ngo ziba zaradohotse ku karanga ko kuba « Ekleziya yo ku ziko » imenyesha Inkuru nziza ya Yezu Kristu.

## II.IMANA ISHAKA KO URUGO RUKRISTU RUMENYESHA INKURU NZIZA YA YEZU KRISTU

Nk'uko twabivuze mu nyigisho yo mu bushikiro, urugo rukristu ni « *Ekleziya yo ku ziko* » ikongera ikaba ihamagariwe kwugurukira izindi ngo zose. Urugo rukristu rero ruhamagariwe kumenyesha Inkuru nziza. Ruzoheza ruronke imigisha n'imihezagiro.Tubisoma mw'Ijambo ry'Imana no mu nyigisho za Ekleziya.

### 1. Ijambo ry'Imana ritubwira iki?

***Mu Bwuzure bwa mbere***

Kuva mu bwuzure bwa mbere, hariho ingo zabereye akarorero izindi mu kugendera ico Imana ishaka, bituma abantu barondera kumenya n'ukubaha Imana n'amateka yayo.

Mu gihe ca Nowa, mu bana b'abantu hari ububisha bwinshi, biraheza bishavuza Imana, nayo yigira umugambi wo kuzimanganya ubwoko bw'abantu, ariko urugo rwa Nowa Umukama yaruravye ryiza. (Amamuko 6,5-8)

Urugo rugororokera Imana rurayihimbara nayo ikaruhezagira, ikarukingira amakuba nk'uko yakingiye urugo rwa Nowa n'abiwe. Uwo muhezagiro ntiwagarukiye kuri Nowa gusa Imana yarawuhaye isi yose (Amamuko 9, 11)

Mu gihe ca Ibrahimu, Imana yaragendeye urugo rwa Ibrahimu na Sara umupfasoni wiwe nabo baraheza barazimana intumwa zayo. Imana yarashimye ica irabahezagira ibemerera ikibondo mu busaza bwabo. (Amamuko 18,1-16). Mu rugo rw'abemera, ukwakira ingenzi biratanga imigisha y'Imana.

Iburahimu na Loti baragiye inama ku rugendo barimwo kugirango imiryango yabo n'amasho yabo vyagukirwe, Imana iraheza irabahezagira iha umwe wese ibimukwiye, Iburahimu imuha umugisha w'isezerano, Loti nawe n'abiwe ibarokora umuriro wa Sodoma kuko bubashe amateka y'Imana (Amamuko 13,1-18; 19,1-29).
Ingo z'abemera zija inama, zigashira imbere umwumvikano n'uguheberanira, ziba ziriko zimenyesha Imana.

Ruti naho yari umupagani yaranse guheba inabukwe Nahomi, Imana iraheza iramushumbusha imuha urugo, ari rwo rwahavuye ruvukamwo umwami Dawudi. (Ruti 1,1ss) Mu rugo rw'abemera, urukundo hagati ya inabukwe n'abakazana biwe birakomeza urugo bikaruzanamwo imigisha.

Umuhanuzi Eliya yarashonje ari ku rugendo atakambira umupfakazi w'i Sarepta ko yomuha utwo arya. Uwo mupfakazi naho yari mu bukene, yaramuhaye kuri duke yari asigaranye. Imana yaciye ihezagira uwo mupfakazi ntiyasubira kubura ico arya n'ico anywa, yongera iramwuhirira mu kuzura umwana wiwe yari yapfuye(1 Abami 17,8-24). Ingo z'abemera zakira zikazimana intumwa z'Imana mu bukene bwazo ziraronka ivyiza birengeye ivyo zatanze.

***Mu bwuzure bwa kabiri***

Urugo rukristu rurahamagariwe kwakira ishaka ry'Imana. Bikira Mariya na Yozefu barakiriye ishaka ry'Imana mu rugo rwabo bararera umwana Yezu mu ngorane zidasanzwe nko mu Misiri (Mt2, 13-15), kurondera umwana yazimiye (Lc2, 41-51). Barakiriye ishaka ry'Imana mu kuyirerera Umwana wayo w'ikinege. Bagumye hafi yiwe, baramushigikira, mbere Bikira Mariya aramuherekeza gushika no ku musalaba.
Mu rugo rw'abakristu abavyeyi bakira ibibondo nk'ingabirano y'Imana. Nico gituma bubaha bakongera bagashigikira umugambi Imana ifitiye ivyo bibondo.

Koroneliyo yari intwazangabo mu baromani yubaha Imana. Umusi uri izina umumalayika w'Umukama aramubonekera amubwira ko Imana yakiriye ibisabisho vyiwe.Niko gutumako Petero ngo yumvirize ijambo ryiwe. Koroneliyo n'abo mu rugo iwe bamaze kwumviriza Ijambo ry'Imana, buzura Mutima Mweranda, Petero aca arababatiza. (Ibik10,1-48)
Mu ngo z'abakristu iyo Serugo agiye imbere mu kwakira Inkuru nziza no mu kuyigendera,birafasha abo mu rugo bose kubangikrwa n'ukwakira ingabire y'Imana no gutekana mu rugo no guhezagirwa.

Onesimu yari ashumbiye umukristu yitwa Filemo, bamaze guhwanira na Paulo mweranda mw'ibohero yaramwigishije yongera aramubatiza. Ageze kuva mw'ibohera yaciye amurungikana urwandiko rusaba sebuja Filemo kumwakira nk'umuvukanyi (Filemo 8-21).
Mu rugo rw'abakristu kubw'ibatisimu twaronse, abarubamwo bose ni abavukanyi harimwo n'abakozi. Bibaye uko baba bariko baramenyesha Inkuru nziza ya Yezu Kristu.

**2.Inyigisho za EKLEZIYA zivuga iki?**

Kuva kera na rindi abarongoye Ekleziya bamye bigisha ko urugo rw'abakristu rwagenewe kumenyesha Inkuru nziza ya Kristu.

Mu *nama nkuru ya Ekleziya yabereye i Vatikano ubugira kabiri* bavuga ko ingo z'abakristu zihamagariwe kwerekana akaranga k'Inkuru nziza mu buzima bwazo, mu kugendera ukwemera n'urukundo no mu guhabwa amasakramentu. Gurtyo abazubatse baba babaye abamisiyonari babushitse mu kibano no mu mpande zose z'ubuzima (Raba Ad Gentes n˚ 15 na 41 hamwe na Lumen Gentium n˚12)**,**

Umweranda papa Yohani Paulo wa kabiri**,** avuga ko nk'uko ukwubaka birengeye abubakanye, ariko urugo rurengeye umugabo n'umugore kuko rwugurukiye ikibano cose. Atubwira kandi ko urugo rukristu rwakiriye Inkuru nziza ruhindukira rukaba uruyimenyesha. Nico gituma yemeza ko impera n'imperuka z'ukumenyesha Inkuru nziza muri Afrika ari ugukomeza ingo ngo zibe vy'ukuri *Ekleziya yo ku ziko*. Aho niho hazova ihinduka ry'imibano y'abantu muri Afrika ihinduwe n'Inkuru nziza.(Raba Familiaris Consortio n˚ 52 na Ecclesia in Africa n˚ 85)

Umuvyeyi wacu Papa Fransisko nawe avuga ko Ekleziya ari umuryango ugizwe n'ingo ukaremeshwa na ntaryo n'ubuzima bw'ama *Ekleziya yo ku ziko* (Raba Amoris Latitiae n˚ 87). Ingo z'abakristu zifise ubutumwa bw'ukwubaka n'ukuremesha umuryango w'Ekleziya.

Abepiskopi bacu batwigisha ko mu butumwa bwo kumenyesha Inkuru nziza, urugo rw'abakristu rwomera nka kurya kwa Ekleziya. Rukaba ikibanza Inkuru nziza yakiririrwamwo kandi igahera aho nyene isagarara. Mu rugo rero bategereye iryo banga, abarugize bose barigisha Inkuru nziza bakongera bakayishira mu ngiro. (Raba *Ukwubaka rukristu, Indinganizo n'amategeko ngenderwako bigenga ingo n'imiryango mu madiyoseze gatolika y'Uburundi* mu nomero ya 80)
Muri make urugo rw'abakristu ni "*Ekleziya yo ku ziko"* kuko rwamenyeshejwe Yezu Kristu kandi ruhamagariwe kumumenyesha.

## III. HOKORWA IKI KUGIRA NGO URUGO RUKRISTU RUMENYESHE INKURU NZIZA YA YEZU KRISTU

Twumvise ko urugo rukristu, rufise ubutumwa kwo kumenyensha Inkuru nziza ya Yezu Kristu bihereye mu rugo nyene. Kugira ngo iyo Nkuru nziza imenyekane yongere ishinge imizi vy'ukuri, ni uko abari mu rugo bihatira ubwa mbere kwubakira kuri Yezu Kristu we Rutare rutamenwa.

***Ingo z'abakristu***

Mu ngo zanyu ko mwamenye Yezu Kristu mukongera mukamwemera, ni mumwimike; mumwumvirize mw'Ijambo ry'Imana, mumuhanuze mu gusenga, mumwakire mu guhabwa amasakramentu, mumwigane mu rukundo rwitanga. Nimubandanye mu mibano rukristu, mu mihari n'imirwi y'ubutumwa kwigisha no kunogereza ryakete-nyigisho «Akanyamuneza k'urukundo**» :** Dusavye abasaseredoti bose n'ababunganira mu butumwa bigisha umurava no kunoganza inyigisho « **Akanayamuneza k'Urukundo** » ngo ishikire benshi bashoboka , ingo zibone gukomera mu rukundo.

Ni mugire urunani rw'ingo kugira ngo mukomezanye, muhiganirwe kuba akarorero keza k'izindi ngo, abakomeye baramire ab'intege nke. Ni murondere ingene muhwanira hamwe musangire igisabisho muzirikana Ijambo ry'Imana, muganire ivyereke ingene ingo zibayeho, mubonereho kuja inama y'ingene mufashanya. Ni mufashanye cane cane mu bijanye n'indero y'abana, kuko aho ibintu bigeze, urugo rumwe rwonyene ntavyo rucishoboje. Mubigize uko muzoba muriko muramenyeshanya Inkuru nziza biheze binababafashe kwamirira kure inyigisho mbi zihungabanya imico myiza n'ukwemera mu bakuze no mu bato.

Ndasavye nshimitse urugo rukristu rwose, ngo rwifatanye n'izindi ngo mufashanye kurondera ukuri, ubutungane n'amahoro, mushigikirane kugira ntihagire umubanyi n'umwe atotezwa canke ngo arenganywe, kandi muzi ukuri. Ni muzishire hamwe inguvu zanyu, muheze muhuze abantu bazingamitswe n'urwanko rufatiye ku matati y'amatongo, ku bwoko, ku ntara canke ku migambwe n'ibindi, kandi mubafashe kugira intambwe y'ibiganiro bibashikana ku mwumvikano ata manza zirinze gusasa.
Ziramutse zishashe naho mushigikire ukuri kandi muguhagurukire, mubeshuze icese abantu batoye umwuga mubi w'ikinyoma, kandi babigize ubuhizi, bakama barondera kurenganya n'ugucafuza canke kuremeka inkono ishushe abandi ata yindi nyungu barondera, atari ukunyaga canke ukwaka iteka n'ugucinyiza umuntu gusa. Iyo vyose mubigirane ubwitonzi n'ubwubashi mwigana Kristu kugira mubashe kugaragaza ukwemera kwanyu.

Ingo zanyu ni zishigikire zishimitse umuryango w'Ekleziya mu butumwa bwayo bwo gukwiza hose Inkuru nziza: muwusabire, muwunganire muvyo ukeneye, mwitabane urukundo indinganizo n'ibikorwa biwubaka. Ingo zanyu ni zihurumbire inkuka ya Misa kuko aho ihererezwa hose abakristu baba bariko barashira ahabona umuryango w'Ekleziya bongera batangariza bose Inkuru nziza y'ugupfa n'ukuzuka kwa Yezu.
Mu ntumbero yo kwunga imitima yavunitse no kugarukira isakramentu ryo kubaka rukristu, dusavye ko ba patiri mukuru bofasha kugira ahari ingorane mu bugeni rukristu babishikiriza sentare ya diyoseze yacu nayo igakora ukwo ishoboye kwose ngo imanza z'abukanye zinyaruke guhera kandi amatohoza azerekeye akorwe ku buryo bitaremera ababituye. Ntimuhengeshanye kandi gushigikira ingo ziri mu ngorane zitandukanye mu kubagendera no mukubumviriza mwongera mubafasha kuzivamwo.Turasubiriye gutera akamo ingo zose zikirondoka gukomeza kwakira inyigisho n'imyimenyerezo ngororangendo zubahiriza umugambi w'Imana ku muntu mu kurondoka. Ni mwijukire ukuruta uburyo kama bwo kurondoka ku rugero nkuko Inama y'abepiskopi iheruka kubibasaba.

***Urwaruka***

Rwaruka namwe, ubuzima mufise mubukesha Imana yabaremye. Imana nayo ni nziza, ni muyikunde rero, nayo ibagabire ugukunda ivyiza n'ukubikora. Imana irafise ico ishaka kubatuma mwese. Ni mwame mwiteguriye kwumva ijwi ryayo kugirango mumenye ico yabateguriye. Ni hagira abo Imana itora ikabagenera guhebera ubuzima bwabo ukumenyesha Inkuru nziza bazoyitabane akanyamuneza, urunganwe narwo ruzobashigikire.
Ni muhagararire iteka n'ubuntu vy'aho muba, maze akaranga k'imico n'imigenzo n'ak'ubukristu, vyame vyubahirizwa igihe cose aho mu ngo iwanyu. Maze muri mwebwe hagize abo Imana yitorera ngo ibatume mu murima wayo ngo bayihebere muzoyigamburukire mudahigima.
Ndabateye akamo, mwirinde imigenzo mibi ititura iteka mwaremanywe igatukisha abavyeyi n'abarezi, ikabangamira kazoza kanyu, ikababaza Imana yabaremye kuko ikabakwegera mu gicumuro kibakura ku

Mana. None rero, ni murabe abagenzi mufise abo ari bo, mumenye guhitamwo abeza bafise ico bazobungura. Muheze mugire urunani rw'ukwikingira ingeso mbi n'urwo gukora ivyiza kuko muvyo tubona umuntu umwe wenyene ntavyo yokwishoboza.

Rwaruka dukunda ni mwitabe amahwaniro y'urwaruka tubahamagarira kugira tubacire agace ku muhamagaro n'ibanga mwimirije ryo kubaka ingo zanyu , n'imigenzo yo baranga imbere yuko mwubaka izanyu, ntimuhave mujana nyabahururu.

Nimwijukire vyongeye imihari n'iyindi mirwi yo gusenga, imibano rukristu n'amashirahamwe yo kwiteza imbere bizoheza bibabumbe.

***Abakozi***

Namwe bakozi bo mu rugo,

Ingo mukoramwo ni muziseruremwo ukwemera mwaronkeye iyo muvuka, ntimwibagire ya ngabirano mwaronka igihe mwubikwako ibiganza ; ingabirano mufise mu vy'ukwemera muzigaragarize aho mukora, mu babanyi no ku masengero muhimbarizako umusi w'Imana. Mwifatanye n'abakoresha banyu mu bikorwa vyo guterera n'ugushigikira umuryango w'Ekleziya, mutitwaje yuko mutari imvukira zaho. Itara ry'ukwemera mwaronse mw'ibatisimu murigumize ahabona, ntimuryubikeko umubehe, ahubwo ribafashe gushariza n'ukuryohora aho mubaye n'aho mukorera.

## IV. UGUSOZERA

Dusozere iki kiganiro twibuka ko twariko turabafasha kwitegurira guhimbaza neza umusi mukuru cane wa Pasika y'Umukama wacu Yezu Krstu yababaye, akabambwa ku musalaba akadupfira kugira ngo aducungure, adukize ibicumuro. Iyo niyo Nkuru nziza ya Pasika Ekleziya imaze imyaka 125 imenyesha mu Burundi, tukaba turi mu mwaka wo kuyihimbaza.

Mu gihugu cacu ingo z'abakristu zaragize uruhara rushimishije muri ico gikorwa Ekleziya yaranguye co kumenyesha Inkuru nziza ya Yezu Kristu muri iyo myaka. Yamara impinga iracari ndende, ingo z'abakristu ziracakeneye gukomeza ukwemera n'ukwitanga nkuko twagiye turabizirikana dufatiye kw'Ijambo ry'Imana no ku zindi nyigisho abarongoye Ekleziya bagiye barashikiriza.

Muri iyi karema rero, ingo z'abakristu zamaze kunyurwa n'ukuba "*Ekleziya yo ku ziko"*, ni zifatanye na Yezu mu nzira yiwe y'umusaraba ijana mu gahimbare ka Pasika, zisubize itoto zinagure ukwemera zifitiye Imana, zinagure n'urukundo zifitaniye, zibashe kunonokera kumenyesha ya Nkuru nziza y'ukuzuka yatanguye kumenyeshwa n'abakenyezi beranda: Mariya Madalena na Mariya wundi, hamwe umumalayika yababwira ati: *"mweho ntimugire ubwoba, ndazi ko muriko murarondera Yezu yabambwe. Ntakiri ngaha, yazutse nkuko yabivuze. None muze murabe aho yari aryamye, kandi muce mugenda mwihuta mubwire abigishwa biwe muti yazutse ava mu bapfuye*" (Matayo 28,5-7).

Amen.

Uwazutse nahezagire ingo n'imiryango yacu

Bigiriwe i Bururi, ku wa 03 ruhuhuma 2023

+**Salvatori Niciteretse**,

Umwepiskopi wa Diyosezi ya BURURI.-